LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME " ITEKA "


# BULLETIN HEBDOMADAIRE

## "Iteka n'Ijambo"

Uwo uri wese ubahirizwa

***N°526 Co kuva kuwa 11 gushika kuwa 17 Rusama 2026***

**Ryemejwe n'itegeka nshikiranganji nomero530/0273 yo kuwa 10 Munyonyo 1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma1991**






***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodeta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka , yabuzwe irengero kuwa 10 Kigarama 2015. Kuva Kigarama 2015 gushika kuwa 17 Rusama2026, abantu bashika 868babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, ni imiburiburi 87 barasubiye kuboneka abandi 781 ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w'igikorwa c'ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero[1].***

**Umuhari ITEKA :**

- « Ni umunywanyi w'ishirahamwe mpuzabihugu ryo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),
- Rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umurwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero ivyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC ».
- Umuhari teka ugizwe n'inani mpuzamashirahamwe 17 hamwe n'ibisata 32 .

## IBIRIMWO

*0. INTANGAMARARA........................................................................................................................5*

*I. UMWIHWEZO ...........................................................................................................................5*

*II.UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE ......................................................................9*

*III.UBURENGANZIRA BW'IMIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA.........................................................14*

*IV. UGUSOZERA N'IBISABWA...............................................................................................................15*

***INDINGANIZO NSHASHA YO KUVA KUWA 16 NTWARANTE 2023***



**CNDD-FDD** : *Ihuriro ry'igihugu riharanira gukingira intwaro rusangi-urwego rukingira intwaro rusangi(umugambwe uri ku butegetsi)*

**ECOFO** : Ishure shingiro

**FRAD** : Urunani rw'ubutunzi n'ukwiteza imbere

**HCR** : *Ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumweryitaho impunzi*

**OPJ** : *Inyamiramabi*

**RTNB** : Isamirizi n'imboneshakure vy'igihugu c'u Burundi

# *URUTONDE RW'IBIRIMWO*

0. **INTANGAMARARA**.......................................................................................5

**I. UMWIHHWEZO.......................................................................................5**

I.1. UMWIHWEZOWA POLITIKE .......................................................................5

I.2. UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE .......................................................5

I.3. UMWIHWEZO W'UBUTUNZI......................................................... 6

I.4. UMWIHWEZO W'UBUFASHA ...........................................................................8

**II. UMWIHWEZO W'ABANTU NO MURI POLITIKE ...............................................9**

II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA ...........................................................9

II.1.1. ABANTU BISHWE N'ABO MURI RETA.......................................................9

*II.1.1.1 ABANTU BISHWE N'ABATAMENYEKANYE CANKE IBIZIGA VYATOWE* ..........................................................................................10

II.2. UBURENGANZIRA BW'UKUDAKUBAGURWA...........................................11

II.2.1.UKUBOREZWA IGUFA HAMWE N'UGUFATWA BUNYAMASWA CANKE GUFATWA MPI.............................................................................................11

II.2.2. UGUFATA KUNGUVU.................................................................1 2

II.3. UBURENGANZIRA BW'UMWIDEGEMVYO.............................................12

II.3.1. UBWIGENGE BW'IBIMENYESHA MAKURU........................................12

II.3. 2. UGUHAGARIKWA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO.............................13

**III. UBURENGANZIRA KU MIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA.......................14**

III.1. UBURENGANZIRA KU MAGARA......................................................14

**IV. UGUSOZERA HAMWE N'IBISABWA...............................................15**

## 0. INTANGAMARARA

Iki cegeranyo cerekana inyifato y'agateka ka zina muntu mu Burundi mu ndwi yo ku wa 11-17Rusama 2026.Muri iki cegeranyo, umuhari Iteka urihweza kandi ivya politike,umutekano hamwe n'ubufasha .Kiranasuzuma kandi ibintu biserura amabi abuza uburenganzira bw'abantu no muri politike vyaranze iyindwi.

Ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu ryabonetse kandi ryatohojwe n'umuhari Iteka rimeze uku gukwirikira: ni imiburiburi abantu 6 barishwe harimwo 5 batowe ibiziga,umugabo 1 yazize amabi afatiye ku gitsina, abatu 3 baborejwe igufa hamwe na 2 bahagaritswe biciye kubiri n'amategeko hamwe na 3 bakomeretse barashwe n'abapolisi.

Muri abo bakorewe amabi harimwo abagore 2 bishwe,umugore 1 yaborejwe igufa hamwe n'umwana1 yishwe.

Ahanini abikekwako ayo mabi n'abo mu ntwaro,abapolisi,abasirikare,urwaruka rw'Imbonerakure z'umugambwe uri ku butegetsi, CNDD-FDD.

## I. UMWIHWEZO

### I.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE

**Ubwoba butewe n'urwamo hamwe n'indirimbo z'urwaruka rw'Imbonerakure, ku murwa mukuru wa komine Ruyigi,intara ya Buhumuza**

Kuwa 13 Rusama 2026,ababa ku mugwa mukuru wa komine Ruyigi barakuwe mw'itiro n'urwamo hamwe n'indirimbo z'urwaruka rw'Imbonerakure, abanyanyi b'umugambwe uri ku butegetsi,CNDD-FDD. Kubwo amasoko yaho,ico gikorwa catanguye igihe c'isaha 9 z'ubucagucagu,igihe indirimbo z'umugambwe zasamirana mu ma karatiye yose ya komine. Abanyagi, barengewe n'ako kaguma kadutse,bumvise ubwoba burenze, batazi ivyariko biraba.Hafi igihe c'isaha 2 zo mu gitondo,abahaba baramenyeshejwe ko rwari urwaruka rw'Imbonerakure za komine Ruyigi zikoranye kugira zije mu Cankuzo, umurwa mukuru w'intara ya Buhumuza, kugirango baterere mu bikorwa vy'iterambere rusangi bijanye n'iyubakwa ry'ibiro vy'intara ya Buhumuza. Kubwo ayo masoko nyene,ivyo bikorwa vy'inyubako bikorwa ijoro n'umutaga,biteguwe ku mitumba no ku makomine bokuranwa. Nk' akarorero, kuwa 13 Rusama 2026,hari haramukiwe imitumba yo muri komine Ruyigi. Vyongeye,baravuga ko urwo rwaruka rw' Imbonerakure zishika mu Cankuzo mu ma kamyo yo mu bwoko bwa Fuso. Bitaba ivyo bikorw vy'iterambere rusangi bambaye umwambaro w'umugambwe CNDD-FDD, icatumye ababiraba bavyita ibikorwa vyo kwiyamamaza,aho vyobaye ibikorwa nyakuri vy'iterambere ridakumira vy'abavuka gihugu bose,atakuraba aho bahengamiye muri politike.

### I.2. UMWIHWEZO W'INTWARO

**Ugutwaza igikenye kw'indongozi haba mu buzi bwa Reta canke bw'abigenga muri komine n'intara ya Gitega.**

Muri komine Gitega, yo mu ntara ya Gitega, ibirego vyinshi biva mu migwi itandukanye y'abanyagihugu vyaribonekeje muri iyi misi,bivuga interegano z' agahotoro babaka.Kubwo ivyo twatororokanije mu masoko yacu mu ma zone menshi y'iyo komine,izo nterenano zitozwa n'abarongoye ubuzi butandukanye mu ntumbero yo gushigikira urwubako rw'ingoro ya komine y'umugambwe uri ku butegetsi,CNDD-FDD. Umwigisha wo kw'ishure imwe muri zone Kabanga yatwiganiye ko umuyobozi w'ishure ariwe ajejwe iryo tozwa.

Kubwo ivyo ashikiriza,umuntu wese yanka gutanga iyo ntererano arankwa akanatyozwa,bamwe bageze aho bemeza ko abarwanya izo ntererano badakwiye kuronswa n'inyubakwa z'amashure hamwe n'ibigo vy'ubuvuzi vyubakwa mu gihugu.

Uwundi murezi wo kw'ishure shigiro rimwe ryo mu gisagara ca Gitega yarashikirije ukudatahura kwiwe ko vyoba bikenewe guterera,ata mugambwe n'umwe arimwo.Umunywanyi w'umugwi ukingira abana(CPE) nawe nyene avyiyumvira uko,ashikiriza ko ivyo

## *I.2. UMWIHWEZO W'INTWARO(Ibikurikira urupapuro 5)*

bitumvikana,kandi agashira imbere ingorane yo gusigura uko gutoza imfashanyo zigenewe urwubako rw'ingoro y' umugambwe,kubw'iwe,atanakimwe imariye abanyagihugu.Irindi soko riva muri zone Makebuko rifata izo ntererano nk'isesagura, rikemeza ko umugambwe wategerezwa gushigikirwa muburyo n'abanywanyi bawo.Izo ntererano z'agahotoro ziravugwa muri komine ya Gitega yose kandi biteye amakenga adasanzwe mu banyagihugu,kubwo amasoko yacu,ni iturubikwa rikorerwa abanka gutanga iyo ntererano,bamwe baranatinya ko bashobora kwankirwa kuvurwa. Igitigiri c'amahera bakwa arahinduka bivanye n' umugwi umuntu arimwo mu kazi. Nk' akarorero,umwigisha mu bice 3 vya mbere vy'ishure shingiro ategerezwa gutanga 10 000 fbu,umwigisha wo mu mashure yisumbuye ategerezwa gutanga ayashika 15 000 fbu,umuyobozi w'ishure shingiro 2 0 000fbu,n'umuyobozi w'amashure y'inyuma y'ishure shingiro 30 000fbu.Abanyagihugu basanzwe b'abarimyi bategerezwa gutanga 5000fbu,mugihe abadandaza bategerezwa guterera kuva ku 20 000fbu n' ayarenga.Kubwo amasoko yacu mu mazone atandukanye ya komine Gitega, n' abanywanyi bamwe bamwe ba CNDD-FDD baraserura akababaro kuri izo ntererano z'agahotoro.

## *I.3. UMWIHWEZO W'UBUTUNZI*

**Amakenga y'ibanki nkuru ku migwi y'amashirahamwe y'iterambere yo mumuce ugira kane.**

Ibanki ya Repuburika y'u Burundi(BRB) iheruka gufata ingingo itomoye ku migwi y'amashirahamwe y'ubutunzi yo mu muce wa 4 mugihe c'umubonano wo guhimiriza wabereye i Gitega.Hari kuwa 15 Rusama 2026,igihe BRB yakoranya abashikirizamanza ba Repuburika hamwe n'abarongoye amashirahamwe kugira bahangane n'ingorane ziterwa n'amashirahamwe y'iterambere atemewe n'amategeko.

Simplice Nsabiyumva,umuyobozi w' ubugenduzi hamwe n'itsimbataza ry'ubutunzi muri BRB,yararandiriye kuvyerekeye ko intumbero nyamukuru ya banki nkuru ari iyo gukingira ubutunzi bw'abanyagihugu.

Yarasiguye :« Ntidushobora kwugara umugwi w'ubutunzi mugihe ushobora kwigarura. » Naho biri uko,yaranamenyesheje ko iyoubusuma bwibonekeje,BRB ifise ububasha bwo guhagarika mu mabanga abayarongoye, kubakurikirana,kubaka impusha,gufata udusandugu tw'ububiko hamwe no kuyisezerera.

Amashirahamwe yo kuziganya BRB yayashize mu mice 4,umuce wa 1 n'uwa 3 niyo mice yonyene irimwo amashirahamwe afise imitahe mito mito hamwe n'inani z'ama COOPEC,nibo bafise uburenganzira bwemewe n'amategeko bwo kwakira amahera hamwe no gutanga ingurane.Ku rundi ruhande,amashirahamwe yo mu muce wa 4 ntiyemewe kandi ashobora kugira ingorane. Barekuriwe gutoza imbitso mu banywanyi bayo.Ariko, amashirahamwe menshi akwega kwega abanyagihugu abemerera inyungu zigera kuri 8% buri kwezi, ni ukuvuga 96% ku mwaka,inyungu irenze cane iyemewe n'amategeko ya 7% ku mwaka. Umushingantahe Nsabiyumva yavuze ati: « Kenshi, ni aya mashirahamwe atanga inyungu zidashoboka. Kuri jewe, ni abasuma. »Ku bijanye no kuriha, n'igihe batanguye gufata ubutunzi n'amasandugu y'ububiko, BRB isubizwa amahera adakwiye, gutyo bigatuma abayitura benshi basigarana igice gito conyene c'amahera yabo. Abashikirizamanza bari bahari basavye Banki nkuru kugira ico ikoze vyihuta kugira ngo igarukire ubutunzi kandi yihutishe ukurihara. Ningombwa ko ababitura bamenya uko bamenya ko

ishirahamwe ryo kuziganya cemewe. Imbere yo kubitsa amahera yabo, bategerezwa kugenzura incuro 3 zikenewe:

1. Kuraba urutonde rwemewe rwa BRB i Bujumbura, mu buyobozi bw'igenzura no kubungabunga ubutunzi, kuko urutonde rw'ibigo vyemewe ruja ku mugaragaro kandi rukaguma rushirwa kumwanya buri gihe.

2. 2. Kuraba umugwi: amashirahamwe yo mu cicaro ca mbere yonyene afise n' imiburiburi umutahe w'umuriyaridi hamwe n' amashirahamwe ahurikiye muri COOPEC yo mu mugwi wa 3 afise umutahe wa 500 000 000Fbu gusa niyo yemewe n' amategeko kwakira amafaranga y' abanywanyi no gutanga ingurane. Umuce wa 4 ushobora gutoza amahera mu banywanyi bayo gusa.

3.Kutemera ivyo utari bushitse: inyungu iri hejuru ya 7% ku mwaka ni icaha mu Burundi, kandi itangwa rya 5% canke 8% ku kwezi ryabwirizwa gutera amakenga.

Muri make,BRB irashobora gukingira umutekano w'uburyo bwabitswe mu mashirahamwe atemerewe.Ukubukingira neza bifatiye kw'igenzura ryitondewe imbere yo kuyashirayo.

## Ukwerekana n'ukwemeza c'icegeranyo c'uburyo bwakoreshejwe n'inama nshingamateka mu mwaka wa 2024-2025

Kuwa 13 Rusama 2026, inama nshingamateka yaremeje 100% icegeranya c'uburyo bwakoreshejwe mu 2024-2025 gishira ahabona intambamyi nk'ukonona uburyo hamwe n'inyuruzwa ry'amahera y'agaciro. Umushikiranganji w'ubutunzi,Alain Ndikumana, yavuze ko uwo mwaka waranzwe n'igabanuka ry'ubutunzi bwinjira n'ibikorwa biteye amakenga bikikuje ikoreshwa ry'amahera y'agaciro ya Reta.

Uburyo bw'ibanze bungana na miriyaridi 4 626 fbu yasubiwemwo agera kuri miriyari 4 211 FBU, ivyo bigaragaza igabanuka rya hafi 9%. Mu gusozera, miriyaridi 3 233 FBU gusa ni zo zabonetse, ku rugero rwo gushirwa mu bikorwa rwa 76,79%. Ariko amahera ava mu gihugu arengeye ayari yitezwe, akaba angana na miriyari 2 628 FBU ugereranije na miriyari 2 412 FBU yari yitezwe.

Intambamyi Alain Ndikumana yabonye birimwo inyuruzwa ry'amahera y'agaciro,ingendo zivugwa ariko zitabayeho hamwe n'amahera yavuye nu butare adashikira ayari ategekanijwe. Yavuze ko Reta ikoresha hafi miriyoni 10 za USD buri mwaka ku ngendo zo hanze y'igihugu, ariko igice c'ayo mahera kigasohokera kw'isoko ryo mukinywabi. Kugira ngo ibi birwanywe, yasavye gukoresha amakarata ya Visa ku ngendo kugira ngo igenzure ikoreshwa ry'amaheraakoreshwa. Ku bijanye n'ingendo bariha zitabaye, yavuze ati: «Abakozi akenshi basinya amahugurwa menshi ku munsi umwe ahantu hatandukanye, ivyo ntawovyizera. »

Ku vyerekeye amahera ava mu butare,umwimbu uri musi y'ihangiro waragize ingaruka ku buryo bwinjira.Abashingamateka

Baravuze amamiriyaridi 300 FBU y'amakori atarishwe,bigaserura ubutandukane hagati y' ayategekanijwe n'ayabonetse,bongera bamenyesha umushikiranganji kabatashize mungiro ivyo bategerezwa ku bijanye n'amakori.

N'aho umushikiranganji yashikirije ko ingingo zoba zarafashwe,ukudahana ku mugaragaro iguma igwanywa.

Abashingamateka baraseruye amakenga ku bijanye no kutagira ishaka muri politike kugira bahane ibihangange mugihe amakosa matoya ahanwa vyihuta.Umushikiranganji yaranatumiye abashingamateka baharire ku vyiyumviro bigamije gukoresha ikarata Visa bose.Naho gushira mu ngiro iyo ngingo imbere y'igihe,yaragumijeho ko azoguma ashira imbere umugaragaro.Itegeko ryaremejwe 100%, bitanga uburenganzira bw' uburyo kuri Reta ariko bakareka ibibazo kw' itororokanywa ry'amakori ritavuye mu nzira.

## *I.4. UMWIHWEZO W'UBUFASHA*

**Amagorwa y'impunzi zitazwi n'amategeko mw'ikambi y'ukurindiriramwo y'i Nyabitare mu ntara ya Buhumuza.**

Inyuma y'iyirukanwa ry'impunzi z'abarundi mu makambi ya Tanzaniya,abahungutse bamwe bamwe bari mu bihe bitoroshe ku kirindiro c'iNyabitare.

Kuwa 14 Rusama 2026,abahungutse 27 baracari muri ico kirindiro.Kubwo ivyo abahungutse bashikirije,igihe bamaze mu makambi muri Tanzaniya imbere yo kwirukanwa cari ico amarushwa.Abapolisi babakonganirije ahantu hamwe,bakoresheje imyuka lacrymogènes kugira babashwiragize, babategeka kuririmba ijoro ryose.Mu nyuma, abagabo n'abahungu bajanywe ku kirindiro c'abapolisi,aho bababajije ko bipfuza gusubira iwabo.

Abemeye kwiyandikisha baranditswe mugihe abatavyemeye bashirwa ku ruhande.Igipolisi cafashe ingingo yo kuburiza ama kamyo bose babajana mu kirindiro c'iNyabitare.Bamaze gushikayo,bamwe ntibabonetse ku ntonde zanditswe.Ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu,kandi bujejwe ivyo guhungura impunzi,bwaciye bubandanya kwandika abantu bataharuwe.Abo rero barashikirije icipfuzo co kumenya ico bari, ariko yabishuye ko bategerezwa kurindira HCR,yoyo yoshobora gutanga umuco.

HCR kubwayo yamenyesheje ko abo bantu bari baramaze kuronswa amahera yo kwiyunguruza batahuka hakoreshejwe terefone ,kandi ko badafise uruhusha rwo kuguma ku kirindiro.Ariko rero,baguma basaba amahera yabo yo kwiyunguruza, batagira na kimwe cerekana ko barishwe.Bari mu yabira,abo bantu bagumye ku kirindiro, batagira uburyo bwo gushikira imiryango bavuyemwo.Ubuzima muri ico kirindiro buteye agahinda,aho ata bufasha na bumwe buhari.

Babayeho kubera ubufasha bw'abantu baba hafi yabo,babazanira ivyo kurya. Abo bahungutse basaba abagiraneza kugira babafashe kuva muri ubwo buzima mukubaronsa uburyo bwo kwiyunguruza kugira bashika mu miryango bagiye bavamwo. Twobamenyesha ko nabaronse amahera yo gutaha bataronse ayakwiy,ari bahisemwo gutaha iwabo naho aari ingorane.

Ikintu kitavuzwe ciboneza kuri abo batahutse: Aho gusubira mu ntara bavuyemwo, benshi bateye baja mu makomine ya Gisagara na Mishiha,ahakiri amatongo yokurima. Muri komine Gisagara, bashikiye mukarere kitwa « Muka », agasagara kabamwo abantu bava mu ntara nyinshi z'igihugu,cane cane zo mu buraruko, nka Ngozi, Kayanza, Kirundo, Muyinga, Gitega, nahandi. Agasagara kaLe Muka kiri n'imiburiburi ku km 5 uva ku rubibe rw' Uburundi na Tanzaniya. Muri komine Mishiha, bashikiye ku mitumba ya Munzeze, Kirehe, Mwiruzi, n'ahandi., ubwa mbere yabako impunzi z'abanyarwanda imbere y'umwaka 1994.

Uwo uri wese ubahirizwa

## II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA

### II.1.1. ABANTU BISHWE N'ABAKORERA RETA

**Umuntu yishwe hamwe n'abandi batatu bakomerekejwe n'abaporisi muri komine Cibitoke mu ntara ya Bujumbura**

Igenekerezo rya 14 Rusama 2026,hafi y'isaha zitandatu z'ijoro,ku mutumba Samwe, muri zone Rugombo muri komine Cibitoke, mu ntara ya Bujumbura, Eric Niyongabo, atashe muhira iwe,yarahagaritswe hanyuma ategekwa n'abaporisi kuduza amaboko. Ico gihe,umwe mu baporisi yamurashe urusoro mu kwaha ruserukira mu gikiriza.

Ku bwo ivyabona vyo muri kano karere,vyose vyatanguyehafi y'isaha cumi na zibiri z'umugoroba mu matati hagati y'abagabo 2 harimwo janvier na Jean Gasore,yahoze ari umurwanyi muri CNDD-FDD n'indongozi muri zone ya Rugombo.Bahuriye ku mugore aba ku mutumba Munyika,uhana urubibe n'umutumba Samwe, muri zone Rugombo hnyuma amahane araduka,umwe wese yemeza ko uwo mugore ari uwiwe. Umwe muri bo aratangura : « Urabeshe,uyu mugore ni uwanje,kubera ni jewe ndiha inzu abamwo».

Amatati hagati yabombagabo ntiyamaze umwanya munini; Janvier atashe iwe ku mutumba Samwe. Uwo mwanya,abahaba bibazako amahane yaheze.

Hafi y'isaha zine z'ijoro,Jean Gasore yagiye gusaba abaporisi 2 bo ku kirindiro co muri zone de Rugombo hanyuma ajana nabo baporisi,bagiye muhira kwa Janvier kumuhagarika. Bashitseyo, umuryango wa Janvier waranse ko bamujana , kandi n'abandi bahaba basidukanye n'iyonka kuvyiyamiriza. Abantu bose bari bahari baremeje ko Janvier badashobora kumutwara amasaha akuze kandi ata mutahe umuhagarika bafise.

Mu nyuma, Jean Gasore,yahamagaye abaporisi 3 bobafasha hanyuma bose hamwe bagerageza kujana kunguvu Janvier. Ku bwo gufatana mu nda hamwe n'amakenga ku mutekano w'umubanyi wabo,abahaba basubiye kuvyiyamiriza,banka ihagarikwa ryiwe ridaciye mu mategeko. Abaporisi barashe amasasu menshi barabisha mw'isinzi ry'abantu kandi amasasu yarashikiriye abantu 3,abasigaye barashwiragira.

Muri ivyo vyashitse, Eric Niyongabo, umuntu agira kane yakozweko n'ayo masasu,ntiyari mu micungararo kandi ntiyarazi ibiriko biraba. Atashe iwe mu mahoro,yahuye mw'ibarabara n'abaporisi hanyuma abo nabo baramurasa mpaka hanyuma biruka basubira ku kirindiro.

Mu nyuma,umukuru w'ikirindiro yarashitse aho vyabereye hanyuma asanga abahaba bariko begeranya abakomeretse kugira babajane kw' ivuriro AGAPE,riri hafi ya zone.

Eric Niyongabo yapfuye imbere yo kuronka ubuvuzi.Kuvyerekeye abandi batatu bakomeretse,babandanije bavurwa gshika igenekerezo rya 15 Rusama 2026,kandi amagaro yabo ameze neza,ku bwo amasoko yacu.

Ababa muri zone ya Rugombo,babaye kandi bashavuye, basaba ko imbere ya vyose ko umuryango wa Eric Niyongabo wotunganirizwa ndetse nabo bandi 3 bakomeretse.

Basaba kandi indongozi zo hejuru,haba abo mu ntwaro canke mu giporisi,ko gutanga umuco ku mvo zituma umunywanyi w'umugambwe uri ku butegetsi ashobora gukoresha igiporisi kandi gifise inzego kandi ikabatuma bakora ikibi nk' ico.

Mu gusozera,abanyagihugu basaba ko urubanza rwocirwa vuba bwango kugira bahane bimwe biboneka Jean Gasore kandi abo baporisi 5 bafadikanije, inyuma yaho abo baporisi bamenyekanye, igipfungu hamwe n'ububangutsi bw'ibintu ntivyemeye ko ivyabona babimenya atamakenga.

### *II.1.2. ABANTU BISHWE N'ABANTU BATAMENYEKANYE CANKE IBIZIGA VYATOWE*

**Ikiziga catowe muri komineMugere mu ntara ya Bujumbura**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 12 Rusama 2026 ivuga ko mw'ijoro ryo kuwa 3 Rusama2026,hafi y'isaha 4 z'ijoro,umunyagihugu azwi kw'izina rya Mugabonihera yishwe anizwe n'abantu bataramenyekana.

Ku bwo amakuru twatororokanije,uwo yanizwe, yaba ku mutumba Mena,muri komine Mugere, mu ntara ya Bujumbura, yari mu bunywero buri impande y'imuhira iwe imbere yuko iryo bara rirwa hanyuma atashe iwe ,yaguye mu mutego watezwe n'abantu batamenyekanye. Ku bwo ivyabona vyo mu karere,abo bicanyi baramunigishije umugozi imbere yo gusiga ikiziga ngaho hanyuma ikiziga ciwegitorwa kuwa 4 Rusama 2026.

Ku rundi ruhande,umuvukanyi wiwe yitwa Dismas, yagiye ku giporisi kumenyesha urupfu rw'umuvuganyi,yaciye ahagarikwa n'abajejwe umutekano. Kuva ico gihe,yagumijwe mu gasho ka komisariya ya komine ya Mugere.Imvo izwi y'iryo hagarikwa ntiriramenyekana.

Amasoko yaho amenyesha ko ubwo bwicanyi bwoba bujanye n'indyane zikomeye ziri mu muryango ziri hagati y'uwo yishwe be n'umugore wiwe. Amatohoza yategerezwa kwerekana neza abakoze iryo bara.

**Ikiziga catowe muri komine Mugeren mu ntara ya Bujumbura**

Muri karatiye Muzenga, muri zone Kanyosha yo muri komine Mugere mu ntara ya Bujumbura, ku metero ijana uva ku kiraro c'urwo ruzi,hafi y'ubunywero bita Ouagadougou,ikiziga c'umugabo atamenyekanye w' imyaka ari munsi y'imyaka 45 caratowe mu ruzi Knyosha.

Kubwo ivyabona vyo muri ako karere,ikuntu uyo muntu yapfuye biracarimwo igipfungu mugihe indongozi zo hasi zimenyeshako umuhisi yoba yaguye mu kinogo kiri kw'ibarabara rya 12 ryo ku ruhande rwa karatiye kinanira muri zone Musaga inyuma y'imvura yo kuwa 10 Rusama 2026.Eric Uwitonze, arongoye karatiye Muzenga sigura ko umuhisi yoba yaguye muri uwo muserege kubera yari yanyoye inzoga zakaze cane. Uwo mutware wo ku nzego zo hasi yongerako kandi ko ico kiziga cajanywe mu buruhukiro bw'ibitaro vy'umuganwa Louis Rwagasore mukurindira ko umuryango wiwe utegura ukumushingura.

## Ikiziga c'uruyoya catowe muri komine Mugere mu ntara ya Bujumbura

Kw'igenekerezo rya 13 Rusama 2026, impande y'uruzi Nyamitanga, ku mutumba Buhina, muri zone Kiyenzi, muri komine Mugere, mu ntara ya Bujumbura, ikiziga c'uruyoya caratowe. Ababonye ico kiziga bamenyeshejeko kitari bwononekare kandi bakavuga ko urwo ruyoya rwatawe mu ruzi rugiheza kuvuka. Ayo masoko amenyesha ko ico kiziga cahambwe uyo munsi nyene kandi bakongera ko abarongozi mu ntwaro hamwe n'igiporisi bariko bararondera uwakoze iryo bara kugira arengutswe imbere y' ubutungane.

## Ikiziga c'umugore catowe muri komine n'intara ya Gitega

Kuwa 9 Rusama 2026 hafi y'isaha zitandatu n'iminota 40,muri karatiye Mugutu, muri zone Rutegama, muri komine n'intara ya Gitega,ikiziga catanguye kwononekara ca Ndayishimiye Anitha, w'imyaka 35 ,caratowe mu nzu yiwe. Ku bwo isoko ryacu,ni ababanyi batabaje igiporisi inyuma yo kwumva umunuko uva mu nzu y'uwo muhizi.

## *II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA (Ibikurikikira urupapuro 10)*

Bahashitse,abaporisi baramenye barinjira mu nzu hanyuma basanga ikiziga catanguye kwononekara.Ku bwo iryo soko nyene,impuzu z'umuhisi zari zitabaguritse kandi ikiziga cari gifise ibikomere mu mutwe.Ababanyi bavuze ko batangajwe n'ukuntu abo mumuryango w' umuhisi bihutiye kumenyesha igiporisi ko yararwaye indwara yo mu mutwe.

Naho biri ukwo,Inyamiramabi ntiyababajije igituma bagumuje inzu yugaye gushika aho ikiziga gitangura kunuka. Naho hari ivyo bibazo,nta ngingo n'imwe yafashwe kugira bagire amatohoza ku bantu bo muri uyo muryango.

### Ikiziga c'umugore catowe muri komine Gishubi mu ntara ya Gitega

Kuwa 12 Rusama 2026 hafi y'isaha imwe y'igitondo,ku mutumba Maza,muri zone Mahonda, muri komine Gishubi,mu ntara ya Gitega, ikiziga ca Nzeyimana Petronie, w'imyaka 60,caratowe impande y'ikiraro c' uruzi Rugege. Ku bwo isoko ryaho,umuhisi yari umupfakazi akaba na nyina 'abana 9. Kuvyo babaonye aho bamusanze,hariho ikimenyetso c'amaraso make aho ikiziga cari,mugihe ibindi bimenyetso vy'amaraso yumye vyaboneka ku zuru ,ku munwa no mu matwi. Inyamiramabi Nishirimbere Gilbert, arikumwe n'abaporisi.barishikiye aho vyabereye hanyuma bamenyesha abantu bari bahari ko bibonekakao uwo mugore yob yiciwe ahandi imbere yuko ikiziga ciwe bagita aho hantu.

Isoko ryacu rimenyesha kandi ko umuhisi yarafitaniye amatati y'amatongo n'umuryango w'umugabo wiwe. Ariko,abahaba bavuga ko batangajwe no kubona atanumwe wo muri uwo muryango yahagaritswe mu ntumbero yo kugira amatohoza. Ifubwa ryabaye uwo munsi nyene inyuma y'umutaga.

## *II.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAHOHOTERWA KU MUBIRI NO MU VYIYUMVIRO*

### *II.2.1. UKUBOREZWA IGUFA/UGUPFUNGWA CANKE UGUFATWA BUNYAMASWA N'AYANDI MABI*

**Umusore yakubaguwe yongera arakubitwa n'abaporisi bajejwe kurarira musitanteri wa komine Mugeremu ntara ya Bujumbura**

Mw'ijoro ryo kuwa 10 Rusama 2026, hafi y'asaha zitanu,mu kirindiro c'abateshejwe izabo mu Kabezi, muri komine Mugere,mu ntara ya Bujumbura, umusore w'imyaka 21 , azwi kw'itazirano rya Kibaju, yarakubiswe n'abaporisi bajejwe gucungera urugo rwa musitanteri wa komine ya Mugere.

Kubwo icabona cavyiboneye,umusore Kibaju yariko asoma inzoga zikazezaho bita *ikibangara* hamwe n'uwundi aba muri ico kirindiro, yitwa Claver,yamukubise umugere. Kibaju yagerageje kwirwanira kugira asunure uwo uwo yamutanguye, ariko ni uyo mwanya nyene abaporisi bacungera urugo rwa musitanteri wa komine Mugere baje gutabara.

Aho guhagarara hagati kugira bahagarike ayo mahane, abaporisi baciye basimbira kuri uyo musore. Baramukubise hanyuma bamusiga ari ikiruruma. Yakomeretse kandi ytaye ubwenge ,uwo yakubiswe yanyarukanywe kwa muganga. Amakuru yanyuma,umusore Kibaju aracarembeye mu bitaro vya Kabezi.

**Umugabo n'umugore bakubiswe n'indongozi zo mu ntwaro muri komine Karusi mu ntara ya Gitega**

Kuwa 12 Rusama 2026 hafi y'isaha cumi na zibiri z'igitondo,Niyogushima, w'imyaka 36, akora amakinga mu gasagara ka Buhiga kandi umunywanyi wa CNDD-FDD,yarahagaritswe ku mutumba Buhiga. Ihagarikwa ryakozwe n'umutware w'umutumba Nizigiyimana Emmanuel, kw'itegeko ry'uwurongoye zone Niyongabo Emmanuel. Ku bwo intahe twegeranije, yajanywe mw'ibohero ry'igiporisi ca zone kubera ivyo umugore wiwe Claudine,w'imyaka 30 akaba n'umunywanyi wa CNDD-FDD amwagiriza ko afise umugore agira kabiri. Amasoko yaho amenyesha ko Niyogushima afise

## *II.2.UBURENGANZIRA BWO KUDAHOHOTERWA KU MUBIRI NO MU VYIYUMVIRO(Ibikurikira urupapuro 11)*

ipikipiki n'ikinga,bamusanze mw'ijoro ryo kuwa 11 Rusama 2026 muhira kw'uwo mugore agira kabiri,afise isakoshe irimwo impuzu ziwe. Inyuma yo kubazwa,uwurongoye zone yategetse guhagarika Divine,w'imyka 25,afatwa nk'umugore agira kabiri.Abo babiri bakubiswe inkoni 100 umwe wese.

Ipikipiki n'ikinga vyarafashwe hanyuma babishira mu biro vya zone Buhiga.Niyogushima,adashobora gutambuka, yanse kuja kwivuza kandi aracarwariye mu nzu yadandarizamwo.Yoba yarakubiswe n'abantu benshi,harimwo Issa Nizigiyimana, Emmanuel atwara umutumba hamwe n'umuntu batazira Runyota, agira 3. Kuwa 16 Rusama 2026, Divine, afise inda y'amezi 3,yarataye ubwenge kubera inkoni yakubiswe. Yajanywe ku bitaro vy'i Buhiga aho akirwariye.

### *II.2.2. UGUFATWA KU NGUVU*

**Umuhungu w'umukeha bwenge yafashwe ku nguvu muri komine Kayanza mu ntara ya Butanyerera.**

Inkuru yashikiye umuhari Iteka kuwa 11 rusama 2026, ivuga ko kuwa 9 Rusama 2026, ku mutumba Kirema,muri komine Kayanza, mu ntara ya Butanyerera, umugore yitwa Maman Ornella yafashe ku nguvu N. O,afise imyaka 21, afise idakwije neza mu mutwe.

Ku bwo amakuru yatororokanijwe, N.O ni umukehabwenge kandi aguma ayerera mu gisagara ca Rubaho kandi rimwe rimwe ,akarara imbere y'inzu z'ubudandarizo yo mu Rubaho hamwe n'abazamu.Uwo munsi ,maman Ornella yahaye ico kunywa Onésime hanyuma aramuboreza. Ku bwo ayo makuru nyene,Maman Ornella ni umugore yahukanye hanyuma acika imaraya izwi. Maman Ornella abonyeko Onésime yataye n'akenge yitwa ko yarafise, yamujanye mu nzu atawuyibamwo y'umuntu yitwa Masidoni, hanyuma amufata ku nguvu ngo amushurashuze. Onésime yaramerewe nabi cane ariko ntiyashoboye gushikiriza ingorane ziwe. Ku wa 10 Rusama2026, N.O yagumye aryamye imbere y'inzu 'idandarizo kubera atashobora kugenda. N. O yamenyesheje ivyamushikiye kuwa 12 Rusama 2026 hanyuma avuga ko maman Ornella yamufashe ku nguvu mu kumushurashuza. Onésime yaretse se wiwe igitsina ciwe hanyuma abona ko amagara ya Onesime amerewe nabi. Se wiwe yatabaje hanyuma intwaro zaho zihagarika maman Ornella. Ababanyi bavuga ko uwo mugore arwaye umugera. N. O. ubu ari ku miti ariko igihe kigiye. Maman Ornella ari mu gasho ka komine Kayanza mukurindira ko ubutungane bukora igikorwa cabwo.

## *II.3. UBURENGANZIRA BWO KWIDEGEMVYA*

### *II.3.1. UBWIGENGE BW'IBIMENYESHAMAKURU*

**Abamenyeshamakuru babiri birukanywe mu nama y'abanyagihugu yabereye ku murwa mukuru wa komine Makamba mu ntara ya Burunga.**

Kuwa 9 Rusama 2026, muri komine Makamba,abamenyeshamakuru barakoraniye hamwe mu mwizero wo kurondera amakuru muri iyo nama ifise intumbero y'iterambere rya komine,irongowe n'umunyamabanga mukuru wa CNDD-FDD, Révérien Ndikuriyo. Ariko,umunezero wabo wahindutse nkaka

## *II.3.* *UBURENGANZIRA BWO KWIDEGEMVYA(Ibikurikira urupapuro 12)*

kanya ishavu igihe benshi muri bo bahawe itegeko ryo kuva aho habera inama. Si intwazangabo zabirukanye,ariko vyakozwe n'uwo bakorana, ivyatanganje abamenyeshamakuru Mukwongera kwako kababaro kabo, babasiguriye ko iryo tegeko rivuye ku ndongozi zijejwe gutanga amakuru mu mugambwe uri ku butegetsi. Umumenyeshamakuru yarihari uyo munsi yashikirije neza ku mugaragaro uko bababwiye: « Batubwiye ko abamenyeshamakuru baherekeje umunyamabanga aribo bonyene bashobora kuhasigara.» Bukebuke,ishavu ryaraduze mu bakozi b'ibimenyeshamakuru,batanguye kwibaza imvo y'ingingo nk'iyo mu bintu vyari bigenewe kuba vyugururiwe abantu bose.

Ishavu ry'abamenyeshamakuru ntiryabaye irisanzwe mugihe ibimenyeshamakuru vyonyene vy'iradiyo na tereviziyo y'Uburundi ,Intumwa na Irebe FM, vyazananye n'umunyamabanga mukuru,arivyo vyonyene vyarekuriwe gusigara. Ako kamaramaza kabonetse nk'ikimenyetso c' itituka ry'umwuga w'abamenyeshamakuru i Burunga. Uwo munsi,abamenyeshamakuru,baranamenyesheje ko birukanywe mugihe bari barindiriye mu mutekano ko Reveriyano Ndikuriyo ashika,n'abaporisi bahamagawe n'uwurongoye iradiyo Aigle Sport FM kugia babirukane.

Izindi ntahe,abamenyeshamakuru birukanywe mu birori vyo ku kibuga ku gushirako umukono y'amasezerano hagati y'Ikigo Pax Burundina Lumitel,zivuga ko abafata amafoto bonyene aribo bari bemerewe kuhashika.

Ivyo bintu vyagarukanye impari ku migenderanire ziri hagati y' abamenyeshamakuru bamwe bamwe hamwe n'inzego z'umutekano mu ntara. Hibukwa nka Audric Niyuhire,umumenyeshamakuru wa Aigle Sport FM n'Isoko FM, yakubaguwe n'abaporisi mu mpera za 2025 mu matati bagiriraniye n' uwugendesha ipikipiki,imbere y'indongozi zo mu ntwaro. Naho indongozi zemeye kugira amatohoza hamwe n'ibihano vy'ico gihe,ivyo vyabaye akamizwe n'ingoma,vyongereza ukudahana abahohotera abamenyeshamakuru. I Burunga, icuka co guta icizere cafashe icicaro, kigatuma hadakorwa neza umwuga wabo, cane cane mu bintu bijanye na poritike canke vy' umutekano.

### *II.3.2. UGUHAGARIKWA BIDAKURIKIJE AMATEGEKO*

**Uguhagarikwa no gupfungwa bidakurikije amategeko ry'umwigisha wo kw'ishure nkuru yegukira ko-mine i Kiremba muri komine Bururi mu ntara ya Burunga**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 12 Rusama 2026,imenyesha ko kuwa 5 Rusama,mu gasagara ka Kiremba,muri komine Bururi, mu ntara ya Burunga, Barthélémy Ndikuriyo, w'imyaka 55,umwigisha wo kw'ishure nkuru ya komine i Kiremba yarahagaritswe hanyuma arapfungwa mu gasho ka'igiporisi i Bururi n'inyamiramabi yitwa Vasco kubera ibirego vy'abigisha 3 bakora kuri iyo shure nyene ,nabo ni Audace Ndayengenge, Emmanuel Manirakiza hamwe n'uwitwa Bikomagu**.**

Ku bwo amasoko yaho,abo bigisha 4 hamwe n'uyundi yitwa Raoul basavye ingurane yo mu mugwi umwe bazosubiza mu myaka 15 mw'ibanki ijejwe inyubako mu Burundi haciye imyaka 5 hanyuma abo bigisha 3 twavuze aho hejuru baramurenganya mukumwagiriza ko yatanguye imyiteguro yo kuja kuba mu Rwanda ataraheza kuriha iyo ngurane ibanki,ubonako bayisabiye hamwe.

Abagize umuryango wiwe hamwe n'abagenzi ba Barthélémy bariyamirije ko yopfungwa kubera ibihuha n'ububeshi vyafundikiwe kuri we mugihe yari ku kazi. Babona iryo pfungwa ridakwirikije amategeko cane cane ko ukuriha iyo ngurane kuri abo bigisha harimwo na Barthélémy bayakura ku musharahara buri kwezi.

### Umugabo yahagaritswe yongera arapfungwa bidakurikije amategeko umugabo muri karatiye Ngagara muri komine Ntahangwa mu ntara ya Bujumbura

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 11 Rusama 2026,umugabo yitwa Arthemon WITONDE w'imyaka 40,yarahagaritswe kuwa gatanu igenekerezo rya 8 Rusama 2026 hafi y'isaha zitandatu z'umurango n'abaporisi muri karatiye Ngagara ,muri zone Ngagara iri muri komine Ntahangwa mu ntara ya Bujumbura. Ku bwayo masoko nyene,uwo yahagaritswe ari mu gasho ka (BSR) kandi imvo yo guhagarikwa ntiyamenyekanye.

# *III.UBURENGANZIRA KU BUTUNZI-IMIBANO N'IMICO KAMA*

## *III.1. UBURENGANZIRA KU MAGARA*

### Ukubura imiti mu bitaro vy'ibitaro vyo muri komine Karuzi mu ntara yaGitega

Kuva mu ntango za Rusama 2026,haraboneka ikena rikabije ry'imiti mu bigo vyose vy'ubuvuzi vya Reta. Ndetse n'ibitaro biriko birasubira inyuma kuko abarwayi bategerezwa kuja kurondera n'imiti yo kubatera mu nzu z'ubudandarizo bw'imiti.Abanywanyi bakoresha ikarata mutuelle ya Reta yo kwivuza bidoga ko bataronka imiti bandikirwa n'abaganga basanga itari mu bigo vya mutuelle kandi ko bategerejwe kugura iyo miti mu nzu z'ubudandarizo bw'imiti bw'abigenga ku bice 100%.

### Ukwivuza ku buntu vyabaye indoto mu makomine ya Muramvya na Kiganda mu ntara ya Gitega

Mu makomine ya Muramvya naKiganda zo mu ntara ya Gitega, ibitaro hamwe n'ibigo vy'ubuvuzi bufise ingorane zikomeye zo kubura imiti.

umuhango wo kubura ku buntu abagore bibungenze hamwe n'abana bo munsi y'imyaka 5 wahuye n'ukuri kw' umururazi :amasandugu aragaragara,ikene ry' imiti,ibikoresho vyo kwibaruka bitakiboneka hamwe n' ubuvuzi butarihwa na Reta.

Mu bigo vy'ubuvuzi bwo muri ayo makomine,ubukene buragaragara. Ivyapa bihayagiza ubuvuzi bwo ku buntu biracamanitse ku mpome,ariko inyuma y'ivyo vyandiko vyo ku mugaragaro,ubuzima bwa minsi yose bw'abakozi bo mu gisata c'amagara y'abantu ni nk'indoto. Kubwo amasoko yo mu gisata c'amagara y'abantu,Reta iheruka kuriha mu kwezi kwa Kigarama 2024.

Ibigo vy'ubuvuzi ntibifise uburyo na bukeya bwo kwitunganya. Amasandugu aragaragara,ububiko bw'imiti bwaraheze, ndetse n'udupfukantoke bakoresha mukwakira abakenyezi baje wibaruka ntitukibaho, bigashira abakirizi n'abarwayi mu ngorane.

Ku bwo ayo masoko nyene,n'amasandugu y' ibikoresho hamwe n'ibindi bikoresho vy'ibanze nibikibaho. Abakozi bakorera ku masezerano y'i bitaro basanzwe batorohewe bamaze amezi 2 gushika kuri 4 badahembwa.

Bamwe kubwo umutima wo gukunda akazi ,baracakora ,abandi batanguye kugaheba kubera kubura uburyo bwo kubona.

Ukuvugwa ku buntu kwemewe kudandazwa gusumba,umuti uwariwo wose utegerezwa kugurwa mu budandarizo bw'imiti bw'abigenga ku biciro biri hejuru y'abanyagihugu babaye mu bukene ntangere.

N'ivyankenerwa vy'ibanze ntibashobora kubironka : na sabuni yo kugira isuku,nta gitoro ca rusehabaniha ndetse nta n'imoteri ibaha amatara.

# IV. UGUSOZERA HAMWE N'IBISABWA

Umuhari Iteka uranegura wivuye inyuma itituka ry'agateka ka zina muntu ribandanya kwibonekeza mu Burundi kandi uriyamiriza kudahana abakoze amabi.Uhamagarira abatwara Uburundi gufata ingingo zose zishoboka kandi usaba ibi bikurikira:

**Kuri Reta y'Ub*urundi :***

***1.***Gushiraho ubuhinga buhanitse bwo gukurikirana neza indongozi zo mu ntwaro na poritike zaho kugira bakinge amabi akorwa nabo ;

2.Gukora amatohoza y'ubutungane ku mugaragaro intambwe kuyindi iyo hatowe ikiziga ;

3. Gutanga no gukingira uburyo bwihuta bw'imiti mu bigo vy'ubuvuzi;

4. Gusubira gutanga imiti hamwe n'ibindi vyankenerwa mu gisata c'amagara y'abantu mukuriha amahera bishuzwa,kugira abashora imiti babandanye akazi kabo.